KLC

KINGDOM LIFE COMMUNITY


UBWAMI BUTAGIRA IMBIBE

Le Royaume sans frontière

IGICE CA MBERE

Umushinge w'Ubwami





Twarakiriye Umukiza, mugabo ntitwamenye Umwami.
Twubatse amashengero, mugabo ntitwubatse Ubwami.

Pasteur NDAYISENGA Wenceslas

+257 79 93 89 21
ou +257 79988236

wenceslas304@gmail.com

Bujumbura, Burundi

Ugushimira

Ndashimira mbere na mbere Imana Data, Umwami wacu Yesu Kristo na Mpwemu Yera, kubera ubuzima, umuhamagaro n'ubwenge bwampaye ubushobozi bwo kwandika ibi bitabo.

Ndashimira umuryango wanje, HABONIMANA Evelyne n'ibibondo, kubera ukwihangana, amasengesho n'ugushigikira kwabo; abagenzi banje bo muri Kingdom Life Community.

Ndashimira urwaruka twagendanye mu myaka myinshi: ibibazo vyanyu, amasengesho yanyu n'inzozi zanyu ni vyo vyatumye ibi bitabo bivuka.

Pasteur NDAYISENGA Wenceslas

Ibirimwo

Iki gitabo kigabuwe mu mice itatu (séries). Iki ni **Igice ca mbere**.

IGICE CA MBERE — Umushinge w'Ubwami

1. Intangamarara: Ubutumwa twibagiye
2. Ikigabane ca 1: Ubwami bw'Imana ni iki?
3. Ikigabane ca 2: Umwami w'Ubwami — Yesu Kristo
4. Ikigabane ca 3: Ubwami butagira imbibe
5. Ikigabane ca 4: Kwinjira mu Bwami — kuvuka ubwa kabiri
6. Ikigabane ca 5: Amategeko n'agaciro k'Ubwami
7. Ikigabane ca 6: Ubwami n'Ishengero
8. Ikigabane ca 7: Kubaho nk'umwenegihugu w'Ubwami

IGICE CA KABIRI — Ububasha bw'Ubwami

IGICE CA GATATU — Ubwami mu Mice Yose y'Ubuzima

Ijambo ry'intango

Mukundwa musomyi,

Iki gitabo nticavuye mu biro vy'umwigisha; cavuye mu masengesho, mu marira no mu bibazo vy'urwaruka twagendanye. Kenshi nabajijwe nti: « Pasteur, ni kubera iki tuja mu rusengero imisi yose, mugabo ubuzima bwacu ntibuhinduke? Ni kubera iki amashengero ari menshi mu gihugu cacu, mugabo amacakubiri, ubukene n'akarenganyo bikiriho? »

Igisubizo nasanze mu Vyanditswe ni iki: **twatakaje ubutumwa bw'Ubwami.** Twarakiriye Umukiza, mugabo ntitwamenye Umwami. Twubatse amashengero, mugabo ntitwubatse Ubwami.

Si jewe wa mbere wabibonye. Mu kinjana ca 20 n'ica 21, abakozi b'Imana benshi bo mu bihugu bitandukanye — i Burayi, muri Amerika, muri Karayibe no muri Afrika — basubiye gutora ubwo butumwa. Muri iki gitabo, nzogenda ndabatumira ngo baduhe ubumenyi bwabo: abahinga mu Vyanditswe nka George Eldon Ladd na Dallas Willard, abavugabutumwa nka Myles Munroe na E. Stanley Jones, abagabo b'intwaro nka Abraham Kuyper na William Wilberforce, n'intwari z'ukwizera zo muri Afrika yacu nka Musenyeri Festo Kivengere **n'ababaye mw'ikanguro ryo mu Buseruko bwa Afrika** ryatanguri i Gahini mu Rwanda-Urundi.

Mugabo ndabibutsa ikintu kimwe: abo bahinga bose ni abagenzi b'urugendo, si Umwami. **Ijambo ry'Imana ni ryo ryonyene risumba vyose.** Ivyo bavuga tubipimira ku Vyanditswe, ntitubipimira ku mazina yabo.

Ndasenga ngo iki gitabo kibe nk'umuriro mutoyi watswa mu mutima wawe, maze ukaka mu muryango wawe, mw'ishengero ryawe, no mu gihugu cacu c'Uburundi.

Mu rukundo rw'Umwami,

Pasteur NDAYISENGA Wenceslas

Intangamarara: Ubutumwa twibagiye

«Guhera ubwo, Yesu atangura kwigisha, ati Mwihane, kuk' ubwami bwo mw ijuru buri hafi. » — Matayo 4:17

Ijambo rya mbere Yesu yavuze atanguye igikorwa ciwe ntiryari « Muze mu rusengero », nta n'iryo « Muze mbahe imigisha ». Ijambo rya mbere ryari: **« Ubwami buri hafi. »** Na nyuma yo kuzuka, mu misi mirongo ine yamaranye n'abigishwa biwe, Ivyakozwe n'Intumwa 1:3 hatubwira ko yabigishije ivyerekeye **Ubwami bw'Imana**. Intango y'igikorwa ciwe yari Ubwami; n'iherezo ryaco ryari Ubwami.

Naho bimeze uko, mu mashengero menshi y'iki gihe, ijambo « Ubwami bw'Imana » ryabaye nk'ijambo ry'iciyumviro gusa: turaririmba, turarisengera, mugabo ntitwumva neza ico risobanura. Benshi muri twebwe twize ubutumwa bw'**agakiza** — kandi ni ubutumwa bwiza cane — mugabo ntitwize ubutumwa bw'**Ubwami**. Twize ingene twova mu muriro, mugabo ntitwize ingene twobaho mw'ijuru tukiri kw'isi.

Ikibazo c'iki gihe

Reba ivyo tubona mu mashengero yacu:

- Abakristo benshi baba Abakristo ku w'Imana gusa, ku wa mbere bakaba abandi bantu.
- Twubatse imbibe hagati y'amashengero, hagati y'amoko, hagati y'abakire n'abakene, hagati y'« abapasitori » n'« Abakristo basanzwe ».
- Turindiriye ijuru nk'ahantu ho guhungira, aho kuba ubutumwa bwo kuzana kw'isi.
- Dufata Imana nk'umuntu atanga imigisha, aho kuyifata nk'Umwami dukorera.

Ivyo vyose bivuye ku kintu kimwe: **twatakaje iciyumviro c'Ubwami.** Twahinduye ubutumwa bw'Ubwami ubutumwa bw'idini.

Ni kubera iki iki gitabo citwa « Ubwami Butagira Imbibe »?

Ubwami bwose bwo kw'isi bufise imbibe. Uburundi bufise imbibe zabwo; Tanzaniya, Rwanda na Kongo na vyo bifise izavyo. Imbibe zigena aho ububasha bw'umwami bushikira n'aho buherera. Iyo urenze urubibe, uba uri mu bundi bwami, mu yandi mategeko, mu bundi bubasha.

Mugabo Ubwami bw'Imana ntibufise urubibe. Daniyeli 2:44 havuga ko Imana yo mw'ijuru izohagurutsa-Izoshinga ubundi ubwami butazokwigera buhangura -busambuka, kandi ko buzokwuzura isi yose. Ntibugarukira ku nkike z'urusengero, ntibugarukira ku bwoko bumwe, ntibugarukira ku gihugu kimwe, kandi ntibugarukira ku gihe kimwe. Buri mu mitima, mu miryango, mu kazi, mu masoko, mu mashure, mu ntwaro, mu bisirikare, no mu bihugu vyose.

Ubwami butagira imbibe busobanura ibintu bitatu:

1. **Ntibufise urubibe rw'ahantu** — Imana iganza ijuru n'isi yose (Zaburi 103:19).
2. **Ntibufise urubibe rw'abantu** — bwuguruye ku moko yose, indimi zose n'amahanga yose (Ivyahishuriwe Yohana 7:9).
3. **Ntibufise urubibe rw'igihe** — ntibuzogira iherezo (Luka 1:33).

Ivyo abahinga bavuga

Myles Munroe (1954–2007), umuvugabutumwa wo muri Bahamas, ni umwe mu bakozi b'Imana bafashije amashengero menshi yo muri Afrika gusubira kumenya ubutumwa bw'Ubwami. Mu gitabo ciwe *Rediscovering the Kingdom* (2004), yerekana itandukaniro ry'idini n'Ubwami. Yavuze ijambo ryamamaye cane: « Yesu Kristo ntiyazanwe no gushinga idini ngaha mw'isi. Yazanwe ubwami. » Yigisha kandi ko Yesu yaje gusubizaho kw'isi Ubwami Adamu yari yatakaje.

E. Stanley Jones (1884–1973), umumisiyoneri yamaze imyaka myinshi mu Buhinde, yamaze ubuzima bwiwe bwose yiga Ubwami bw'Imana. Mu gitabo ciwe ca nyuma *The Unshakable Kingdom and the Unchanging Person* (1972), yerekana ko Ubwami bw'Imana ari bwo bwonyene budashobora kunyiganyizwa, nk'uko Abaheburayo 12:28 havuga. Ubwami bwo kw'isi buraza bukongera kubagenda; Ariko Ubwami bw'Imana nubw’ibihe vyose.

Ico ivyo bitwigisha: ntiturondera iciyumviro gishasha. Turondera **ukuri kwa kera** kwibagiwe, kwari mu kanwa ka Yesu kuva ku musi wa mbere yatanguriyeko kwigisha ngahe kw’isi.

IKIGABANE CA 1

Ubwami bw'Imana ni iki?

> *«Abafarisayo bamubajije igihe ubgami bg'Imana buzozira, arabishura, at' Ubwami bw'Imana ntibuzoza bwerekanwa, kandi ntibazovuga, bat' Ehe ngubu: canke bati Nguburiya; kuk' ubwami bw'Imana buri muri mwebge.»*
> — Luka 17:20-21

Ubwami bw'Imana ni **ubutegetsi bw'Imana**: ni aho hose Imana iganza, ivyo igomba bigakorwa. Ntabwo ari ahantu gusa; ni ububasha. Ntabwo ari idini; ni intwaro. Ntabwo ari inyubakwa; ni ubuzima.

1. Ubwami ni iki mu ndimi z'abantu?

Kugira twumve Ubwami bw'Imana, tubanze twumve ico ubwami ari co. Ubwami bwose bugira ibintu bitandatu:

Ikiranga ubwami	Mu bwami bwo kw'isi	Mu Bwami bw'Imana
Umwami	Umuntu aganza	Yesu Kristo, Umwami w'abami
Igihugu	Ubutaka bufise imbibe	Ijuru n'isi yose, imitima y'abantu
Abenegihugu	Abavukiye mu gihugu	Abavutse ubwa kabiri
Amategeko	Itegeko nshingiro	Ijambo ry'Imana
Umuco	Imigenzo y'igihugu	Urukundo, ukuri, ubutungane
Ubutunzi	Ivyo igihugu gitunze	Ubutunzi bwose bw'ijuru

Ubwami si demokarasi. Muri demokarasi, abantu batora umukuru. Mu bwami, umwami ntatorwa; aravuka ari umwami. Ijambo ry'umwami ni itegeko. Ni co gituma Yesu atavuze ngo « Demokarasi y'Imana iri hafi », ahubwo yavuze ati « Ubwami bw'Imana buri hafi. » Ntidutora Imana nk'umukuru wacu; turayitegerezwa nk'Umwami wacu.

2. Umugambi wa mbere w'Imana: Ubwami kw'isi

Kugira twumve Ubwami, dusubire mw'Itanguriro. Itanguriro 1:26-28 havuga ko Imana yaremye umuntu mw'ishusho ryayo, imuha **kuganza** ibikoko vyose n'isi yose. Ijambo « kuganza » ni ijambo ry'ubwami. Imana ntiyaremye Adamu ngo abe umunyedini; yamuremye ngo abe **umutware** ahagarariye ubwami bw'ijuru kw'isi.

Ingoma ya Edeni yari nk'**intara y'ijuru** yashinzwe kw'isi. Umugambi w'Imana wari uw'ukwagura iyo ngoma kugeza yuzuye isi yose: « Mwame, mugwire, mwuzuze isi, muyiganze. »

Mugabo igihe Adamu yacumuye, ntiyatakaje gusa ubucuti n'Imana; yatakaje n'**ubutware**. Yahaye Shetani ubushobozi bwo kuganza isi. Ni co gituma, mu Luka 4:6, Shetani yabwiye Yesu ati: « Ndaguha ubu bubasha bwose … kuko nabuhawe. » Ni co gituma kandi Yesu yita Shetani « umwami w'iyi si » (Yohana 12:31).

Kuva ico gihe, umugambi w'Imana wose wabaye **ugusubizaho Ubwami bwayo kw'isi**. Bibiliya yose, kuva mw'Itanguriro gushika mu Vyahishuriwe, ni inkuru y'Umwami asubira kuronka ingoma yiwe.

3. Ubwami si idini

Iki ni co ciyumviro gikomeye kuruta ibindi muri iki gitabo: **Yesu ntiyazanye idini; yazanye Ubwami.**

Idini ni umuntu agerageza gushika ku Mana. Ubwami ni Imana ishika ku muntu. Idini ryubaka inkike; Ubwami bukuraho imbibe. Idini rikurikiza imigenzo; Ubwami bukurikiza Umwami.

Idini	Ubwami
Rishimikiye ku migenzo	Bushimikiye ku mubano n'Umwami
Ribohera ku nkike z'urusengero	Bushika mu mice yose y'ubuzima
Ritera ubwoba	Butera umwidegemvyo
Rirondera kwemerwa n'Imana	Butangura n'ukwemerwa muri Kristo
Ritandukanya abantu	Buhuza abantu
Rihindura abantu abanwanyi	Buhindura abantu abenegihugu b'ijuru

Abafarisayo bari abanyedini bakomeye. Barasenga, barafunga, baratanga ica cumi. Mugabo Yesu yababwiye ati: « Ubwami bw'Imana muzobwakwa » (Matayo 21:43). Bari bafise idini ritagira Umwami.

Ku rundi ruhande, umwambuzi wari ku musaraba ntiyari afise idini, nta migenzo, nta mubatizo. Mugabo yavuze ati: « Yesu, uzonyibuke igihe uzoba winjiye mu **bwami bwawe**. » Kandi uwo musi nyene yinjira muri paradizo (Luka 23:42-43). Yari afise Umwami atagira idini.

4. Ubwami buriho ubu, kandi buzoza

Bibiliya yerekana Ubwami bw'Imana mu buryo bubiri:

- **Ubwami buriho ubu** — « Ubwami bw'Imana buri muri mwebwe » (Luka 17:21). « Nimba senda-nirukana amadayimoni n'urutoke rw'Imana, ubwami bw'Imana burabashikiriye-bwarabashitse » (Luka 11:20).
- **Ubwami buzoza** — igihe Kristo azogaruka, ubwami bw'isi buzohinduka ubwami bw'Umwami wacu na Kristo wiwe (Ivyahishuriwe Yohana 11:15).

Abahinga b'Ijambo ry'Imana bavuga ko Ubwami ari « **ubu, mugabo butarashika neza**». Nk'imbuto y'ikinyampeke itewe mu murima: yamaze gutewa, iriko irakura, mugabo isarura riracari imbere.

Iki ciyumviro gihindura ingene tubaho. Iyo twizera Ubwami buzoza gusa, tubaho turindiriye guhunga isi. Iyo twizera Ubwami buriho ubu, tubaho twihuta guhindura isi. Yesu ntiyatwigishije gusenga ngo « Udukure mw'isi »; yatwigishije gusenga ngo « **Ubwami bwawe buze**, ivyo ugomba bibe mw'isi nk'uko biba mw'ijuru. »

5. Ubwami ni ubutumwa nyamukuru bwa Yesu

Ijambo « ubwami » risubirwamwo incuro nyinshi mw'Isezerano Risha mu butumwa bune, kuruta ijambo ryose Yesu yakoresheje. Yesu yavuze gake kw'ishengero (incuro zibiri gusa mu mw'Isezerano Risha), mugabo Ubwami yabuvuga umyanya wose.

- Imigani yiwe myinshi yatangura iti: « Ubwami bwo mw'ijuru bugereranywa na … » (Matayo 13).
- Yatumye abigishwa biwe ati: « Mugende kwigisha - mwamamaze, muti: Ubwami bwo mw'ijuru buri hafi » (Matayo 10:7).
- Yavuze k'ubutumwa bw'Ubwami buzovugwa- buzokwamamazwa mw'isi yose, maze iherezo rigaheza rigashika (Matayo 24:14).

Raba neza: Yesu ntiyavuze ngo « Ubutumwa bw'agakiza » gusa, yavuze « **Ubutumwa y'Ubwami** ». Agakiza ni umuryango; Ubwami ni inzu yose. Agakiza ni ukuvuka; Ubwami ni ubuzima bwose bukurikira.

6. Ingaruka ku buzima bwawe

Iyo wumvise neza ico Ubwami bw'Imana ari co, ibintu bine birahinduka:

1. **Ukwizera kwawe kuva mu rusengero kukaja mu buzima** — ntuba umukristo mu masaha abiri y'ugusenga gusa.
2. **Gusenga kwawe kurahinduka** — ntiwongera gusaba gusa; utangura kwemeza ivyo Umwami yavuze.
3. **Akazi kawe kaba igikorwa c'Ubwami** — umwigisha, umuganga, umucuruzi, umurimyi, bose ni abakozi b'Ubwami.
4. **Uratangura kubona abandi nk'uko Imana ibabona** — imbibe z'ubwoko, ubutunzi n'icubahiro zirasenyuka.

Ivyo abahinga bavuga

> **George Eldon Ladd** (1911–1982), umwigisha w'Isezerano Rishasha mw'ishure rya Fuller muri Amerika, ni we yafashije cane abahinga b'Ivyanditswe kwumva ko Ubwami ari « **ubu, mugabo butarashika neza** » (mu Congereza: *already, not yet*). Mu gitabo ciwe *The Gospel of the Kingdom* (1959) na *The Presence of the Future*, yigisha ko Ubwami bw'Imana bufise ibihe bibiri bikomeye: **ukwuzuzwa kwabwo muri kahise** (bwaje muri Yesu) n'**ukurangira kwabwo ku mpera z'ibihe** (igihe azogaruka).

Kuva ico gihe, abahinga benshi b'Ijambo ry'Imana bo mw'isi yose bakoresha ico ciyumviro.

Umweranda Agustino (354–430), umwe mu bakurambere b'ishengero wavukiye muri Afrika y'Amajaruguru (mu Algeriya y'ubu), yanditse igitabo kinini *Igisagara c'Imana* (*De Civitate Dei*, ahagana mu 426). Yigisha ko mw'isi harimwo « ibisagara » bibiri: icubakiwe ku **rukundo rw'Imana** n'icubakiwe ku **rukundo rw'umuntu ubwiwe**. Abantu bose babayeho muri kimwe muri ivyo bisagara. Iciyumviro ciwe cerekana ko Ubwami bw'Imana budashingiye ku gihugu canke ku bwoko, ahubwo ku mutima ukunda Imana.

Dallas Willard (1935–2013), umwigisha wa filozofiya muri Kaminuza ya Californiya y'Amajepfo, mu gitabo ciwe *The Divine Conspiracy* (1998), aranegura ico yise « **ubutumwa bwo gucunga icaha** » (*gospel of sin management*): ubutumwa bubwira abantu gusa ingene bohabwa imbabazi z'ivyaha kugira ngo bazojane mw'ijuru, mugabo ntibuvuge ingene ubuzima bwabo bwohinduka uyu munsi. Kuri Willard, Yesu yazanye ubutumwa bw'uko **ubuzima bw'ibihe bidashira bushobora gutangura ubu**, mu Bwami bw'Imana buri hafi y'umuntu wese.

Ico abo bahinga batatu bahurizako: **Ubwami si iciyumviro c'ejo hazoza gusa; ni ukuri kw'uyu munsi.**

Ibibazo vyo kwiyumvira

1. Imbere yo gusoma iki kigabane, wumva Ubwami bw'Imana ari iki?
2. Mu buzima bwawe, ni ibihe bice ukibayeho mu « idini » aho kubaho mu « Bwami »?
3. Iyo usenga « Ubwami bwawe buze », wipfuza ko buza he cane cane muri iki gihe?

Isengesho

Data wa twese uri mw'ijuru, ndemera ko nari nzi idini kuruta uko nzi Ubwami bwawe. Nkuye ku mutima wanje ivyiyumviro vy'idini bitagira ubuzima. Ndagusavye ukingure amaso yanje mbone Ubwami bwawe. Ubwami bwawe buze mu mutima wanje, mu muryango wanje, no mu gihugu canje. Mw'izina rya Yesu Kristo, Umwami wanje. Amen.

IKIGABANE CA 2

Umwami w'Ubwami — Yesu Kristo

« Kandi ku mpuzu ziwe no ku kibero, afise izina ryanditsweko, ng' UMWAMI W'ABAMI, UGANZA ABAGANZA. » — Ivyahishuriwe Yohana 19:16

Nta bwami bubaho butagira umwami. Ubwami bw'Imana bufise Umwami umwe gusa: **Yesu Kristo**. Kumenya Ubwami ni ukumenya Umwami. Kandi ikosa rinini ry'amashengero menshi ni uko tuzi Yesu nk'Umukiza, mugabo ntitumuzi nk'Umwami.

1. Yesu yavutse ari Umwami

Igihe abanyabwenge bava mu buseruko bashika i Yerusalemu, ntibabajije ngo « Umukiza ari he? » Babajije bati: « **Umwami w'Abayuda** avutse ari he? » (Matayo 2:2). Yesu ntiyabaye Umwami amaze gukura; yavutse ari Umwami.

Malayika Gaburiyeli yari yabwiye Mariya ati: « Umwami Imana azomuha intebe y'ubwami ya sekuruza Dawidi, kandi **ubwami bwiwe ntibuzogira iherezo** » (Luka 1:32-33). Ubuhanuzi bwa Yesaya 9:6-7 bwari bwaramaze kuvuga ko ubutware bwiwe buzoba ku bitugu vyiwe, kandi ko ukwiyongera kw'ubutegetsi bwiwe n'amahoro bitazogira iherezo.

Raba ukuntu Imana yahisemwo kwerekana Umwami wayo: ntiyavukiye mu ngoro, yavukiye mu bwatobw'inka. Ntiyaje kw'ifarasi y'intambara, yaje ku cana c'indogobe. Ntiyambaye ikamba ry'izahabu, yambaye ikamba ry'amahwa. **Ubwami bwiwe ntibuhwanye n'ubwami bwo kw'isi.**

2. « Ubwami bwanje si ubwo muri iyi si »

Imbere ya Pilato, Yesu yavuze ijambo rikomeye: « **Ubwami bwanje si ubwo muri iyi si**. Iyo ubwami bwanje buba ubwo muri iyi si, abasavyi banje bari kurwana … » Pilato aramubaza ati: « Mbega ur'umwami? » Yesu aramwishura ati: « Uvuze ukuri, ndi Umwami. Ico nyene ni co navukiye » (Yohana 18:36-37).

Yesu ntiyavuze ngo ubwami bwiwe ntibuba **muri** iyi si; yavuze ko butava **kuri** iyi si. Inkomoko yabwo ni ijuru; aho bukorera ni isi. Ivyo bisobanura:

- Ntibushimikiye ku nguvu z'igisirikare, ahubwo ku kuri.
- Ntibwagurwa n'inkota, ahubwo n'urukundo.
- Ntibuganzwa n'ubwoba, ahubwo n'ukwizera.
- Umwami wabwo ntaganza kugukorerwa, ahubwo ku gukorera.

3. Umwami w'Umusavyi

Ni ho hari ikintu gitangaje kuruta ibindi vyose mu Bwami bw'Imana: **Umwami wabwo ni umusavyi.**

Ijoro imbere y'uko abambwa, Yesu yafashe igitambara, asuka amazi mu kibase, atangura kwoza ibirenge vy'abigishwa biwe (Yohana 13:4-5). Umwami w'ijuru n'isi yapfukamye imbere ya Petero, imbere ya Tomasi, mbere n'imbere ya Yuda yari agiye kumugura.

Hanyuma yababwiye ati: « Nimba jewe, Umwigisha n'Umwami wanyu, nabogeje ibirenge, namwe mukwiye kwozanya ibirenge » (Yohana 13:14). Kandi ahandi ati: « Umwana w'umuntu ntiyazanywe no gukorerwa, ahubwo yazanywe no gukorera abandi, no gutanga ubuzima bwiwe ngo bube incungu ya benshi » (Mariko 10:45).

Iki ciyumviro gikwiye guhindura ingene ubukuru bubonwa mu mashengero yacu. Mu bwami bwo kw'isi, umukuru ni uwukorerwa. Mu Bwami bw'Imana, **umukuru ni uwukorera abandi**. Umupasitori ntari hejuru y'umukuku; ari munsi yawo, awushigikira. Umukuru w'ishengero ntarondera icubahiro; atanga ubuzima bwiwe.

4. Umwami Yatsinze

Umusaraba wasa n'uko ari ugutsindwa kw'Umwami. Abasirikare bamushinyagurira, bati: « Ndakuramutsa, Mwami w'Abayuda! » Pilato ashira icandiko hejuru y'umusaraba: « YESU W'I NAZARETI, UMWAMI W'ABAYUDA. » Abantu bibaza bati: umwami w'ubwoko ki apfa gurtyo?

Mugabo Abakolosayi 2:15 hatubwira ukuri kw'ivyabaye: ku musaraba, Yesu **yambuye ubwami n'ububasha** vy'umwansi, abigira ivyo gushinyagurirwa ku mugaragaro, arabitsinda. Umusaraba ntiwari ugutsindwa kw'Umwami; wari intebe y'ubwami bwiwe. Ku musaraba yaguze ivyo Adamu yari yatakaje.

Hanyuma ku musi wa gatatu, yarazutse. Imbere yo kuduga mw'ijuru, yavuze ati: « **Nahawe ububasha bwose mw'ijuru no kw'isi.** Nuko rero mugende muhindure abigishwa amahanga yose … » (Matayo 28:18-19). Ububasha Adamu yatakaje bwasubiye mu minwe y'Umuntu — Adamu wa kabiri, Yesu Kristo.

5. Uyu munsi Yesu aganza he?

Abaheburayo 1:3 havuga ko, amaze gushiraho umwuhagiro w'ivyaha, yicaye i buryo bw'Ukuru mw'ijuru. Kwicara ku ntebe y'ubwami ni ikimenyetso c'uko igikorwa carangiye kandi ko ubu ariko araganza.

Mugabo Yesu aganza ate kw'isi uyu munsi? **Abicishije mu bantu biwe.** Abanyefeso 1:22-23 havuga ko Imana yashize ibintu vyose munsi y'amaguru yiwe, ikamuha kuba umutwe w'ishengero, ari ryo mubiri wiwe. Umutwe uri mw'ijuru; umubiri uri kw'isi. Ivyo Umutwe ushaka, umubiri ukwiye kubikora.

Ivyo bisobanura ko igihe umukristo yitwararika umupfakazi, Umwami aba ariko araganza. Igihe umucuruzi yanse igiturire, Umwami aba ariko araganza. Igihe abantu b'amoko atandukanye basangiye ku meza imwe mu rukundo, Umwami aba ariko araganza.

6. Umukiza canke Umwami?

Abakristo benshi bakiriye Yesu nk'**Umukiza**, mugabo ntibaramwakira nk'**Umwami**. Bashaka ko abakiza umuriro, mugabo ntibashaka ko aganza amahera yabo, imigenderanire yabo, akazi kabo, canke indimi zabo.

Ariko ivyo ntibishoboka. Ivyakozwe n'Intumwa 2:36 havuga ko Imana yagize Yesu **Umwami** na **Kristo**. Ntashobora kuba Umukiza wawe atabaye Umwami wawe. Uwugukijije ni we akwiye gutegeka.

Ijambo « Umwami » (mu Kigiriki *Kyrios*) ryasobanura uwufise ububasha bwose ku bintu vyose. Abakristo ba mbere bariyemeje gupfa aho kuvuga ngo « Kayisari ni Umwami », kubera ko bari bazi ko hari Umwami umwe gusa.

7. Ibibazo bine vyo kwisuzuma

Kugira umenye nimba Yesu ari Umwami wawe koko, ibaza ibi bibazo:

1. **Amahera yanje** — Ni nde afata ingingo ku vyo nkoresha amahera yanje?
2. **Umwanya wanje** — Ivyo Umwami ashaka biri imbere y'ivyo ndondera?
3. **Imigenderanire yanje** — Ndababarira nk'uko Umwami yategetse, canke ndagumana inzigo?
4. **Akanwa kanje** — Amajambo mvuga yubaka abandi canke arabasenyura?

Nta wushobora kwishura neza ivyo bibazo vyose. Mugabo intango y'Ubwami ni ukwemera ko hari ibice by'ubuzima bwacu tutarahereza Umwami.

Ivyo abahinga bavuga

Abraham Kuyper (1837–1920) yari umupasitori, umwanditsi w'ibinyamakuru, uwashinze Kaminuza y'Ubwigenge (*Vrije Universiteit*) y'i Amsterdam, hanyuma aba Umushikirangaji Mukuru w'Ubuholandi. Igihe iyo kaminuza yugururwa mu 1880, yavuze ijambo ryamamaye kuruta ayandi yose yavuze:

> *« Nta na santimetero imwe iri mu bibanza vyose vy'ubuzima bw'umuntu, aho Kristo, Umwami wa vyose, adasemerera ati: "Ni ivyanje!" »*

Ivyo bisobanura ko Yesu atari Umwami w'urusengero gusa. Ni Umwami w'ishure, w'ibitaro, w'isoko, w'intwaro, w'ubuhinzi, w'ubucuruzi n'ubudandaji n'ibindi vyose. Kuyper ntiyavuze ivyo gusa; yabibayeho mu buzima bwiwe bwose.

Dietrich Bonhoeffer (1906–1945), umupasitori w'Umudagi yahigwa n'intwaro ya Hitler, yanditse mu 1937 igitabo *Nachfolge* (mu Gifaransa: *Le Prix de la grâce*). Muri co atandukanya « **ubuntu buzimbutse** » n'« **ubuntu buzimvye** ». Ubuntu

buzimbutse ni ukwakira imbabazi utigaye, ukabatizwa utahindutse — ni ubuntu butagira ubwigishwa, butagira umusaraba, butagira Yesu Kristo ari muzima. Ubuntu buzimvye, kuri we, ni nk'itunga ryanyegejwe mu murima umuntu yemera kugurisha vyose kugira ngo aritunge.

Bonhoeffer ntiyigishije ivyo gusa; yarabibayeho. Yanse kwunama imbere y'intwaro y'akarenganyo, aranyagwa, hanyuma yicirwa mu kigo c'abanyororo ca Flossenbürg muri Ndamukiza 1945, hasigaye indwi nkeyi gusa ngo intambara ihere. **Yemeye Yesu nk'Umwami gushika ku rupfu.**

Ico abo bagabo babiri batwigisha: kwakira Yesu nk'Umukiza utamwakiriye nk'Umwami ni ukwakira « ubuntu buzimbutse ». Umwami nyawe asaba ibice vyose vy'ubuzima.

Ibibazo vyo kwiyumvira

1. Wari usanzwe ubona Yesu nk'Umukiza canke nk'Umwami? Ni ibihe bimenyetso vyerekana ivyo?
2. Ni igice ikihe c'ubuzima bwawe utarahereza Yesu ngo agiganze?
3. Umwami w'umusavyi aguhamagarira gukorera nde muri iki gihe?

Isengesho

Mwami Yesu, uri Umwami w'abami n'Umwami w'abami. Ndakwemeye uyu munsi atari nk'Umukiza wanje gusa, ariko nk'Umwami wanje. Ndaguhaye amahera yanje, umwanya wanje, umuryango wanje, akazi kanje n'akanwa kanje. Ganza muri jewe. Unyigishe gukorera nk'uko wakoreye. Amen.

IKIGABANE CA 3

Ubwami butagira imbibe

« Ntihashobora kuba Umuyuda cank' Umugiriki, ntihashobora kuba umugurano cank' uwidegemvya, ntihashobora kuba umugabo cank' umugore; kuko mwese mur' umwe muri Kristo Yesu.» — Abagalatiya 3:28

Abantu bakunda kwubaka imbibe; Imana ikunda kuzisenyura. Kuva mu mantanguriro y'isi, umuntu yamye yubaka inkike: « Twebwe » na « bo », « abacu » n'« abanyamahanga », « abatunganye » n'« abacumuzi ». Mugabo Yesu yaje ari umusenyuzi w'inkike. Iki kigabane kirerekana imbibe zirindwi Ubwami bw'Imana bwasenyuye.

Urubibe rwa mbere: Urubibe rw'ahantu

Abanyasamariya n'Abayuda bari bafise impari zikomeye ku vyerekeye **aho** Imana isengerwa. Umugore w'Umunyasamariya yabwiye Yesu ati: « Ba sogokuruza basengeye kuri uyu musozi, mugabo mwebwe muvuga ko i Yerusalemu ari ho abantu bakwiye gusengera. »

Yesu aramwishura ati: « Mugore, nyemera: igihe kiraje, ni co nyene ubu, abasenga vy'ukuri bazosenga Data **mu mpwemu no mu kuri** » (Yohana 4:20-24).

Yesu yakuyeho urubibe rw'ahantu. Imana ntiba mu nyubakwa zubatswe n'amaboko y'abantu (Ivyakozwe 17:24). Urusengero rwawe si inyubakwa iri ku musozi; ni umubiri wawe (1 Abakorinto 6:19). Ivyo bisobanura ko:

- Igikoni cawe gishobora kuba ahantu heranda.
- Ibiro vyawe bishobora kuba igicaniro.
- Isoko rya Bujumbura rishobora kuba umurima w'Ubwami.
- Ibarabara rija ku kazi rishobora kuba ahantu ho guhura n'Imana.

Igihe twibaza ko Imana iboneka mu rusengero gusa, twubaka urubibe hagati y'ubuzima « bweranda » n'ubuzima « busanzwe ». Mugabo mu Bwami, **nta ahantu hatari ah'Imana.**

Urubibe rwa kabiri: Urubibe rw'ubwoko

Iki ni co kibazo gikomeye kuruta ibindi muri Afrika, kandi cane cane mu karere k'Ibiyaga Binini. Twabonye ingene urubibe rw'ubwoko rwasesekeyemwo amaraso menshi, ndetse rimwe na rimwe hagati y'abantu basangiye ishengero rimwe.

Mugabo umva ivyo Ijambo ry'Imana rivuga: Abanyefeso 2:14 havuga ko Kristo ari we mahoro yacu, **yagize amoko abiri ubwoko bumwe**, kandi yasenyuye inkike yo hagati yadutandukanya. Ivyahishuriwe Yohana 7:9 hatwereka ishusho y'ijuru: ishengero ry'abantu benshi badaharurika, **bava mu mahanga yose, mu miryango yose, mu moko yose no mu ndimi zose**, bahagaze imbere y'intebe y'ubwami.

Raba neza: mw'ijuru amoko ntazohanagurwa; azoba ariho. Imana ntiyanka ubwoko bwawe; yanka **urubibe** rwubatswe ku bwoko bwawe. Ubwoko ni impano; urubibe ni icaha.

Petero yari Umuyuda yizera ko bitemewe kwinjira mu nzu y'Umunyamahanga. Mugabo Imana yamweretse iyerekwa ry'igihuzu kirimwo ibikoko vyose, iramubwira iti: « Ivyo Imana yejeje, ntukavyite ibihumanye. » Petero araheza agenda mu nzu ya Koruneliyo, avuga ati: « Ni ukuri, ndabonye ko **Imana itarobanura abantu ku butoni** » (Ivyakozwe 10:34).

Ishengero ry'Ubwami ntirishobora kuba ishengero ry'ubwoko bumwe. Ntirishobora kuba ishengero aho ubutoni buhabwa abava mu ntara imwe. Nimba ishengero ryawe ritashobora kwakira bose kimwe, ntiriraba ishengero ry'Ubwami; riracari ishengero ry'idini.

Urubibe rwa gatatu: Urubibe hagati y'umugabo n'umugore

Mu gihe ca Yesu, abagore ntibari bafise agaciro mu madini. Ntibashobora kwigishwa n'abigisha, ntibashobora gushinga intahe mu manza. Mugabo Yesu yarasenye izo mbibe:

- Yaganiriye n'umugore w'Umunyasamariya ku mugaragaro (Yohana 4).
- Yaremeye ko Mariya yicara ku birenge vyiwe nk'umwigishwa (Luka 10:39).
- Abagore ni bo bamuherekeje gushika ku musaraba igihe abagabo benshi bari bahunze.
- Umuntu wa mbere yabonye Yesu yazutse kandi agatumwa kubwira abandi ni umugore, Mariya Magadalena (Yohana 20:17-18).

Ivyakozwe 2:17 havuga ko Mpwemu Yera azosukwa ku bantu bose, kandi **abahungu banyu n'abakobwa banyu** bazovuga ubuhanuzi. Mu Bwami, impano za Mpwemu ntizitangwa hisunzwe igitsina. Umugabo n'umugore bose ni abaragwa b'ubuntu bw'ubuzima (1 Petero 3:7).

Urubibe rwa kane: Urubibe rw'ubutunzi

Yakobo 2:1-4 hatanga akarorero gakomeye: umuntu w'umukire yinjiye mw'ishengero yambaye impeta z'izahabu, n'umukene yambaye impuzu zaheze. Iyo uhaye umukire intebe nziza, umukene ukamubwira ngo ahagarare inyuma, « **mbega ntimwaba mwarobanuye mu mitima yanyu**? »

Amashengero yacu yatangura kwubaka urubibe rw'amahera: intebe z'imbere ku bakire, inama zisabwa amahera kugira ngo winjiremwo, abakuru batorwa kubera ivyo bafise aho kuba kubera ubuzima bwabo bw'Imana.

Mugabo mu Bwami, Yesu yavuze ati: « **Murahiriwe, mwebwe abakene, kuko ubwami bw'Imana ari ubwanyu** » (Luka 6:20). Mu Bwami, umukene ni umwami, kandi umukire ni umusavyi w'abandi. Umukene atanga ku bukene bwiwe, umukire atanga ku butunzi bwiwe, kandi bose bicara ku meza imwe.

Urubibe rwa gatanu: Urubibe hagati y'« abakozi b'Imana » n'« Abakristo basanzwe »

Iki ni co kimwe mu mbibe zatanguye mu mashengero zikatuma Ubwami butera imbere buhoro. Twagize ubuzima bw'Imana igikorwa c'« abakozi b'igihe cose »: abapasitori, abavugabutumwa, abaririmvyi. Abandi bose bakaba Abakristo « basanzwe » baza kwicara no kwumviriza.

Mugabo 1 Petero 2:9 havuga ngo: « Mwebwe muri ubwoko bwatoranijwe, **abaherezi b'umwami**, ihanga ryera. » Abakristo bose ni abaherezi. Bose ni abakozi b'Imana. Abanyefeso 4:11-12 hasobanura ko Imana yatanze intumwa, abavugishwamana, abavugabutumwa, abungere n'abigisha **kugira ngo batunganye abera ku gikorwa c'ugukorera**. Umupasitori si we akora igikorwa; ni we yigisha abandi kugikora.

Umuganga w'umukristo ari mu bitaro ni umukozi w'Ubwami. Umwigisha w'umukristo ari mu ishure ni umukozi w'Ubwami. Umurimyi w'umukristo ari mu murima ni umukozi w'Ubwami. Igihe twese tuzotahura ivyo, ishengero rizova mu nkike z'urusengero rishike mu gihugu cose.

Urubibe rwa gatandatu: Urubibe hagati y'amashengero

Yesu yasenze ati: « **Kugira ngo bose babe umwe** … kugira ngo isi yemere yuko ari wewe wantumye » (Yohana 17:21). Ubumwe bw'Abakristo ni bwo bwerekana isi ko Yesu ari ukuri.

Mugabo mu mihana yacu, usanga amashengero atanu ari kw'ibarabara rimwe, kandi ntaganira. Umwe avuga ngo ni we afise ukuri kwose; uwundi akavuga ngo abandi barazimiye. Abakristo bava mw'ishengero rimwe bakaja mu rindi, maze bakitwa abahemu.

Ubwami bw'Imana ni bunini kuruta ishengero ryose. Amazina y'amashengero ni nk'imiryango iri mu muryango rusangi umwe. Ntitwahamagariwe kwubaka ingoma zacu; twahamagariwe kwubaka Ubwami bwiwe. Ikibazo ntikiri « Uri uwo mw'ishengero irihe? », ahubwo ni « **Mbega Yesu ni Umwami wawe?** »

Urubibe rwa ndwi: Urubibe rw'ivya kera

Urubibe rwa nyuma ni urwo umuntu yubaka mu mutima wiwe ubwiwe: « Sinshobora gukoreshwa n'Imana kubera ivyo nakoze. » « Umuryango wanje ufise umuvumo. » « Ndi umukene, sinize, ndi muto. »

2 Abakorinto 5:17 hatubwira ko umuntu wese iy' ari muri Kristo, aba ar' icaremwe gisha: ivya kera biba bihise, vyose biba bicitse bisha. Imana yakoresheje Musa yari yishe umuntu, Dawidi yari yarenze ivyagezwe, Rahabu yari maraya, Petero yari yarihakanye Yesu, na Paulo yari yarahamye ishengero.

Mu Bwami bw'Imana, ivya kera vyawe ntibishobora guhagarika ivyo Imana yateguye ejo hazoza. **Ubuntu bw'Imana ni bunini kuruta urubibe rwose.**

Ishusho y'Ubwami butagira imbibe

Ibaze ishengero aho Umuhutu n'Umututsi n'Umutwa basangira ku meza imwe nk'abavukanyi; aho umukene n'umukire bicara ku ntebe imwe; aho umugore n'umugabo bakorera Imana bose bafise agaciro kamwe; aho umupasitori yoza ibirenge vy'umukuku wiwe; aho amashengero yo mu muhana umwe asengera hamwe; aho uwahoze ari inkozi y'ikibi aba umuvugabutumwa.

Izo si inzozi. Ni **Ubwami bw'Imana**. Kandi buri hafi.

Inkuru y'ukuri: Ikanguro ry'i Gahini

> Ubwami butagira imbibe si inzozi z'abahinga ba kure. Bwigeze kwiyerekana mu karere kacu nyene.
>
> Mu myaka ya 1929 gushika mu 1933, ku musozi wa **Gahini** mu cahoze ari Ruanda-Urundi, umumisiyoneri w'umuganga **Joe Church** yari yarahevye umutima. Inzara ikaze yari ihejeje gutera, kandi ishengero ryasa n'iritagira ubuzima. Agiye kuruhukira i Kampala, yahuye na **Simeoni Nsibambi**, Umugande yamubajije ati: « Hari ikintu kibuze muri jewe no mw'ishengero ry'Ubuganda. Woshobora kumbwira ico ari co? » Bamaze imisi ibiri bariko basoma Bibiliya kandi basengera hamwe. Bose bavuyeyo bahindutse.
>
> Igihe Church yasubira i Gahini, abantu batangura kwigaya ku mugaragaro, kwatura ivyaha vyabo no gusubizahamwe. Ubwo buvyutse bwiswe **Abikanguro ryo mu Buseruko bwa Afrika** (*East African Revival*), abo ryakoze ku mutima bitwa **Abarokore**. Ryakwiragiye muri Uganda, Kenya, Tanzaniya, Kongo, Sudani y'Epfo no mu Burundi.
>
> Ikintu catangaje kuruta ibindi ni uko iryo kanguro **ryasenyuye imbibe**. Abahinga muri kahise bandika ko abamisiyoneri b'abazungu bicishije bugufi, bareka ubwibone bwabo bushingiye ku ruhu, maze bagira umubano w'ukuri n'abakuru b'Abanyafrika. Abanyafrika na bo bararekuye inzigo bari bafitiye abazungu. Mu gihe c'intambara ya Mau muri Kenya, abakuru b'iryo kanguro basaba ko Abanyafrika n'Abanyaburayi bicara hamwe, kugira ngo ukutizerana kw'amoko gusenyuke. Abarokore bigisha bati: « Ubwoko bwawe ni agakiza. »

Ivyo abahinga bavuga: Musenyeri Festo Kivengere

> Umwe mu bana b'iryo kanguro ni **Festo Kivengere** (yitavye Imana mu 1988), umusenyeri w'Abangilikani wa Kigezi muri Uganda, bamwe bita « Billy Graham wa Afrika ». Igihe Idi Amin yishe Arikiyepisikopi **Janani Luwum** mu 1977, Kivengere n'umuryango wiwe bahungira mu Rwanda, hanyuma muri Amerika.
>
> Mu buhungiro, Mpwemu Yera yamweretse ko umutima wiwe watanguye gukomantara, wuzuye inzigo ku bamuhama. Aratahuye ko Amin ahagaze imbere y'umusaraba, Yesu atari kuvuga ngo « Data, ubababarire bose, uretse uyo mugabo. » Aca arababarira,

maze yandika igitabo gifise umutwe watangaje isi yose: *I Love Idi Amin* — « **Ndakunda Idi Amin** » (1977).

Umunyamakuru umwe yamubajije ati: « Iyo uhagarara imbere ya Amin, bakaguha imbunda, wokora iki? » Kivengere aramwishura ko yosubiza iyo mbunda, akavuga ati: « Iki si ico ndwanisha. **Ico ndwanisha ni urukundo.** »

Uwo ni umwenegihugu w'Ubwami butagira imbibe: ntiyubaka urubibe n'iyo ari hagati y'uwahamwa n'uwamuhama.

Ibibazo vyo kwiyumvira

1. Muri izo mbibe ndwi, ni iyihe wewe ubwawe wubatse mu mutima wawe?
2. Ni iyihe yiganje cane mu ishengero ryawe? Wokora iki kugira ngo isenyurwe?
3. Ni nde muntu Imana igusaba kwegera uyu musi, uwo wari utandukanijwe na we n'urubibe?

Isengesho

Mwami Yesu, wewe wasenyuye inkike yo hagati, ndihanye ku mbibe nubatse mu mutima wanje: urubibe rw'ubwoko, rw'ubutunzi, rw'ishengero, n'urw'ivya kera vyanje. Ndazisenyuye mw'izina ryawe. Mpa umutima wawe kugira ngo nkunde abantu bose nk'uko ubakunda. Ndakwinginze, ukoreshe jewe kugira ngo ndi umwubatsi w'ibiraro, si uw'inkike. Amen.

IKIGABANE CA 4

Kwinjira mu Bwami — kuvuka ubwa kabiri

«Yesu aramwishura, ati N'ukuri, n'ukuri ndakubgire: Iy' umuntu atavyawe ubwa kabiri, ntashobora kubona ubwami bw'Imana. » — Yohana 3:3

Nta muntu yinjira mu Bwami bw'Imana kubera ko yavukiye mu muryango w'Abakristo, kubera ko yabatijwe akiri uruyoya, canke kubera ko yamaze imyaka myinshi mu ishengero. **Kwinjira mu Bwami ni ukuvuka.** Nk'uko umuntu aba Umurundi kubera ko yavukiye mu Burundi, umuntu aba umwenegihugu w'Ubwami kubera ko yavutse ubwa kabiri.

1. Nikodemu: umunyedini ataramenya Ubwami

Nikodemu yari umuntu akomeye: Umufarisayo, umwe mu bakuru b'Abayuda, umwigisha w'Isirayeli. Yari azi Ivyanditswe kuruta abandi bose. Yarasenga, yarafunga, yarakurikiza amategeko yose.

Mugabo yaje kwa Yesu **mw'ijoro**. Ivyo vyerekana ko n'umuntu afise idini rikomeye ashobora kuguma mu mwijima. Yesu ntiyamuhaye irindi tegeko ryo gukurikiza; yamubwiye ati: « Ukwiye kuvuka ubwa kabiri. »

Nikodemu ntiyabitahura: « Umuntu ashobora gute kuvuka ari umusaza? » Yesu aramwishura ati: «N'ukuri, n'ukuri ndakubgire: Iy' umuntu atavyawe n'amazi na Mpwemu, ntashobora kwinjira mu bgami bg'Imana. Ikivyawe n'umubiri na co n'umubiri; ikivyawe na Mpwemu na co n'impwemu.» (Yohana 3:5-6).

Ici ciyumviro gikomeye: **idini rishobora guhindura ingeso, mugabo ntirishobora guhindura kamere.** Ushobora kwigisha impene kwambara impuzu z'intama, mugabo izoguma ari impene. Kugira ngo umuntu abe uw'Ubwami, akeneye kamere nshasha.

2. Ni kubera iki dukeneye kuvuka ubwa kabiri?

Kubera ko twese twavukiye mu bundi bwami. Abakolosayi 1:13 havuga ko Imana **yadukuye mu bubasha bw'umwijima, ikatwimurira mu bwami bw'Umwana wayo ikunda**.

Raba ijambo « yatwimuriye ». Ni nk'umuntu ava mu gihugu kimwe akaja mu kindi. Ntashobora kuguma ari umwenegihugu w'ibihugu bibiri. Iyo wavuye mu bwami bw'umwijima, amategeko yabwo ntaba agikora kuri wewe. Ubwoba bwabwo, umuvumo wabwo, ubucakara bwabwo, vyose biraherera.

Abaroma 3:23 hatubwira ko twese twacumuye, kandi tutashikiye ubwiza bw'Imana. Ntawushobora kwinjira mu Bwami ku nguvu ziwe. Ni co gituma ukuvuka ubwa kabiri ari **ubuntu**, si igihembo.

3. Intambwe zo kwinjira mu Bwami

Yesu yavuze mu ntango y'igikorwa ciwe ati: « Igihe kirashitse, kandi ubwami bw'Imana buri hafi: **nimwihane, mwemere** ubutumwa bwiza » (Mariko 1:15). Iyo mvugo irimwo intambwe zibiri nyamukuru.

a) Kwihana (guhinduka mu vyiyumviro)

Ijambo ry'Ikigiriki rikoreshwa ni *metanoia*: guhindura ivyiyumviro, guhindukira. Kwihana si ukwumva umubabaro gusa; ni uguhindura icerekezo c'ubuzima. Ni ukuvuga uti: « Nari ndiko ndaganza ubuzima bwanje; kuva uyu munsi, ndabuhaye Umwami. »

Kwihana kw'Ubwami ni kwo guhindura **umwami** w'ubuzima bwawe. Si ukureka ivyaha bimwe gusa; ni ukureka intebe y'ubwami y'umutima wawe ukayiha Yesu.

b) Kwizera

Abaroma 10:9 havuga ngo: « Ni wemeza n'akanwa kawe yuko **Yesu ari Umwami**, ukizera mu mutima wawe yuko Imana yamuzuye, uzokira. » Raba neza: ukwizera kw'Ubwami ntigutangura ngo « Yesu ni Umukiza wanje » gusa, ahubwo ngo « Yesu ni **Umwami** ». Ukwizera ni ukwishikana ku Mwami.

c) Umubatizo

Umubatizo ni ikimenyetso co hanze c'ihinduka ryabaye mu mutima. Ni nk'umuhango w'ugushinga umwenegihugu mushasha. Abaroma 6:4 havuga ko twahambanwe na Kristo mu mubatizo, kugira ngo tugende mu buzima bushasha. Umubatizo ntukiza; mugabo uratangaza ku mugaragaro ko wahinduye ubwami.

d) Kwakira Mpwemu Yera

Petero yavuze ku musi wa Pentekote ati: « Nimwihane, umuntu wese wo muri mwebwe abatizwe mw'izina rya Yesu Kristo, kugira ngo muharirwe ivyaha vyanyu, **namwe muzohabwa ingabire ya Mpwemu Yera** » (Ivyakozwe 2:38). Mpwemu Yera ni we ndangamuntu y'umwenegihugu w'Ubwami (Abanyefeso 1:13-14). Ni we atuma ubuzima bw'Ubwami bushoboka.

4. Ivyo umuntu aronka iyo avutse ubwa kabiri

Umuntu yinjiye mu Bwami ntaronka gusa imbabazi z'ivyaha; aronka ubwenegihugu bwose. Ubu ni bwo butunzi bwiwe:

Ivyo aronka	Icanditswe
Izina rishasha: umwana w'Imana	Yohana 1:12
Ubwenegihugu bw'ijuru	Abafilipi 3:20
Kamere nshasha	2 Abakorinto 5:17
Mpwemu Yera aba muri we	1 Abakorinto 3:16
Ububasha ku mwansi	Luka 10:19

Ivyo aronka	Icanditswe
Umuryango mushasha: ishengero	Abanyefeso 2:19
Kuba umuragwa w'Imana	Abaroma 8:17
Amahoro n'umunezero	Abaroma 14:17

Abakristo benshi babaho nk'abakene kandi ari abaragwa b'umwami. Ni nk'umwana w'umwami yibagiwe ko ari umwana w'umwami, akaguma asabiriza kw'ibarabara imbere y'ingoro ya se. **Kumenya ivyo uri co mu Bwami ni intango y'ukubaho nk'umwenegihugu wabwo.**

5. Kuvuka si iherezo; ni intango

Umwana avutse ntaguma ari uruyoya. Arakura. Ni ko bimeze no mu Bwami. 1 Petero 2:2 havuga ngo: « mumere nk'inzoya zivutse vuba, mwifuze amata y'umutima adafunguye, kugira ngw abakuze abashitse ku gakiza.»

Ikosa rikomeye amashengero menshi akora ni ukwibaza ko umurimo urangiye iyo umuntu yakiriye Yesu. Turahamagara abantu ngo « bakire », mugabo ntitubigisha kubaho nk'abenegihugu. Ni co gituma Yesu atadutegetse ngo « mugende murondere abakijijwe », ahubwo yavuze ngo « **mugende muhindure abigishwa** » (Matayo 28:19).

Umwigishwa ni umuntu yinjiye mu Bwami kandi ariko yiga kubaho hisunzwe amategeko yabwo, umuco wabwo n'ubushake bw'Umwami wabwo.

6. Igishingantahe: Zakayo

Zakayo yari umutware w'abatoza kori, umukire, umuntu yari yanswe n'abantu bose kubera ko yari yaranyaze benshi. Igihe Yesu yamuhamagara, Zakayo ntiyavuze gusa ngo « Ndemeye. » Ubuzima bwiwe bwaciye buhinduka uwo musi nyene: « Raba, Mwami, igice c'ivyo ntunze ndagiha abakene, kandi nimba hari uwo nanyaze ikintu, ndamuriha incuro zine. »

Yesu aramwishura ati: « **Uyu munsi agakiza kashitse muri iyi nzu** » (Luka 19:8-9).

Aho ni ho tubonera ko Ubwami bwinjiye: amahera ya Zakayo yanyeguruwe n'Umwami. Ubucuruzi bwiwe bwarahindutse. Imigenderanire yiwe n'abantu yarahindutse. **Ukuvuka ubwa kabiri nyakuri gushika ku mufuko, ku kazi no ku mubano n'abandi.**

Ivyo abahinga bavuga

> **Yohana Wesley** (1703–1791) yari umupasitori, umwana w'umupasitori, kandi yari yarize amashure makuru y'Ivyanditswe i Oxford. Yari yaragiye no kuvuga ubutumwa muri Amerika. Mugabo yari Nikodemu w'ico gihe: yari afise idini rikomeye, mugabo ata mahoro afise mu mutima.
>
> Ku wa 24 Rusama 1738, mw'ikoraniro rito kw'ibarabara i Aldersgate i Londres, umuntu umwe yariko asoma intango y'igitabo Martin Luther yanditse ku gitabo c'Abaroma.

Wesley yanditse mw'ikete ryiwe ko mu buryo budasanzwe, yumvise kuremuruka mu umutima wiwe, kandi ko yumvise yizeye Kristo wenyene ku bw'agakiza, ahabwa icizere c'uko ivyaha vyiwe vyakuweho. Kuva uwo musi, Wesley yaravuze ubutumwa imyaka irenga 50, kandi Imana imukoresha mu bw'umuryuro wahinduye Ubwongereza.

Ico inkuru ya Wesley itwigisha: **n'umukozi w'Imana ashobora gukenera kuvuka ubwa kabiri.** Idini rishobora kuba rinini, mugabo umutima ukaguma wugaraniye hanze y'ubwami.

Dallas Willard na we yigisha ko kuvuka ubwa kabiri atari « itike yo kuja mw'ijuru » gusa. Ni intango y'ubwigishwa: kuba « umwigishwa-yigana » (*apprentice*) wa Yesu, wiga kubaho nk'uko yobaho mugihe yoba ari mu kibanza cawe. Ivyo ukuvuka ubwa kabiri kudakurikiwe n'ubwigishwa, ni nk'umwana avutse ariko adakura.

Ibibazo vyo kwiyumvira

1. Woshobora kuvuga igihe n'ingene wavutse ubwa kabiri? Nimba utabishobora, ivyo bisobanura iki kuri wewe?
2. Mu butunzi bw'umwenegihugu w'Ubwami buri mu rutonde, ni ubuhe utarakoresha mu buzima bwawe?
3. Mbega uri umukristo gusa, canke uri umwigishwa ariko arakura?

Isengesho ry'ukwinjira mu Bwami

Mwami Yesu, ndemera ko ndi umucumuzi kandi ko nabayeho mu bwami bw'umwijima. Ndigaye uyu munsi. Ndakwemera nk'Umukiza n'Umwami w'ubuzima bwanje. Ndizera ko wapfuye ku bw'ivyaha vyanje kandi ko Imana yakuzuye mu bapfuye. Nkura mu bwami bw'umwijima, unyimurire mu Bwami bwawe. Nyuzuza Mpwemu Yera. Kuva uyu munsi, ndi umwenegihugu w'Ubwami bwawe. Amen.

IKIGABANE CA 5

Amategeko n'agaciro k'Ubwami

« Kuk' ubgami bg'Imana atar' ukurya n'ukunywa, ariko n'ukugororoka, n'amahoro, n'umunezero vyo muri Mpwemu Yera.» — Abaroma 14:17

Ubwami bwose bugira **itegeko nshingiro**: urwandiko rugena ingene abenegihugu babaho, uburenganzira bwabo n'ibibasabwa. Ubwami bw'Imana na bwo bufise itegeko nshingiro ryabwo. Riboneka cane cane mu nyigisho Yesu yatanze ku musozi, muri Matayo 5 gushika 7. Ni co gituma abahinga bamwe bita iyo nyigisho « **Itegeko Nshingiro ry'Ubwami** ».

1. Amategeko y'Ubwami arenga ay'idini

Yesu yavuze ati: « Ni ukuri ndababwira yuko ukugororoka kwanyu kutarengeye ukw'abanditsi n'Abafarisayo, mutazokwinjira na gato mu bwami bwo mw'ijuru » (Matayo 5:20).

Abanditsi n'Abafarisayo bari bazi gukurikiza amategeko yo **hanze**. Mugabo Yesu yazanye amategeko yo **mu mutima**:

Idini ryavuga	Umwami avuga
Ntukice	Ntukarakarire mwene wanyu ata gituma (5:21-22)
Ntugasambane	Ntukarabe umugore ngo umwifuze (5:27-28)
Ijisho rihorerwa irindi	Ntugahangane n'umuntu mubi (5:38-39)
Kunda mugenzi wawe, wange umwansi wawe	Kunda abansi bawe, usabire abaguhama (5:43-44)
Tanga, usenge, ufunge kugira ngo ubonwe	Tanga, usenge, ufunge mu bwihisho (6:1-18)

Amategeko y'idini araba **ivyo ukora**. Amategeko y'Ubwami ahindura **uwo uri we**. Idini rishobora gutuma umuntu adakora icaha, mugabo umutima wiwe ukaguma wuzuye inzigo. Ubwami bushaka umutima mushasha.

2. Imigisha y'Ubwami: umuco utandukanye n'uw'isi

Yesu yatanguje itegeko nshingiro ryiwe n'imigisha icenda (Matayo 5:3-12). Iyo migisha yerekana **umuco w'Ubwami**, kandi ni umuco uhindura iy'isi:

- **Aboro mu mutima** — isi ikunda abatunzi; Ubwami bushaka ababwegukira.
- **Abatuntuye** — isi ihunga umubabaro; Ubwami burirura.
- **Abatekereza** — isi itanga ububasha ku bakomeye; Ubwami bubaraga isi.
- **Abafise inzara n'inyota vyo kugororoka** — isi inyotewe ubutunzi; Ubwami buhaza ukugororoka.

- **Abanyembabazi** — isi irihora; Ubwami butanga imbabazi.
- **Abafise imitima itanduye** — isi irondera inyungu; Ubwami bubaha kubona Imana.
- **Ababanguranya** — isi ikwiragiza amacakubiri; Ubwami bw'abana b'Imana.
- **Abahamwa bahorwa ukugororoka** — isi ihunga ingorane; Ubwami butanga ubwenegihugu.

Raba ingene Yesu atangura n'iciyumviro kimwe kandi agaheza na co: « **kuko ubwami bwo mw'ijuru ari ubwabo** » (5:3 na 5:10). Imigisha yose iri hagati y'izo nkike zibiri. Ivyo bisobanura ko imigisha y'Ubwami itaronkwa n'abakomeye, abakire canke abazwi, ahubwo n'abahinduwe mu mutima.

3. Inkingi zitatu z'Ubwami: Abaroma 14:17

Paulo yaravuze mu majambo makeyi ishingiro ry'Ubwami: **ukugororoka, amahoro n'umunezero vyo muri Mpwemu Yera.**

a) Ukugororoka — ni ukuba mu mubano mwiza n'Imana n'abantu. Si ukudacumura gusa; ni ukubaho ukwiye imbere y'Umwami. Mu Bwami, ukugororoka gushika ku kazi (ntiwiba umwanya w'umukoresha), ku bucuruzi (ntiwiba ku kumunzane), no mu ntwaro (ntiwakira igiturire).

b) Amahoro — ijambo ry'Igiheburayo *shalom* ntirisobanura ukutagira intambara gusa; risobanura ubuzima bwuzuye, buteye imbere, buri ku rugero. Amahoro y'Ubwami ni ayo isi idashobora gutanga (Yohana 14:27). Ni yo atuma umukristo ahagarara atanyiganyiga hagati y'ibibazo.

c) Umunezero — si ukunezerwa kw'akanya gato kava ku bintu vyiza bibaye. Ni umunezero uva muri Mpwemu Yera, ushobora kubaho no mu ngorane. Paulo na Sila baririmbiye mw'ibohero i Filipi (Ivyakozwe 16:25). Uwo ni umunezero w'Ubwami.

Iyo izo nkingi zitatu zibuze mw'ishengero, ishengero rirashobora kuba rifise imigenzo myinshi, mugabo ntiriba rifise Ubwami.

4. Itegeko nyamukuru ry'Ubwami: Urukundo

Igihe umwigisha w'amategeko yabaza Yesu itegeko riruta ayandi, Yesu yavuze ati: « Mukundishe Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose n'ubugingo bganyu bgose n'ubgenge bganyu bgose. Iryo ni ryo rihambaye rya mbere. Har' irindi rya kabiri rimeze nka ryo, n'iri: Mukunde bagenzi banyu nk'uko mwikunda. » Matayo 22:37-39

Yakobo yita iryo tegeko « **ivyagezwe vy'ubwami** » (Yakobo 2:8). Urukundo ni ryo tegeko ry'icubahiro c'Ubwami. Ni rwo rwerekana abenegihugu nyabo: «Ni mwagiriranira urukundo, ni ho bose bazomenya ko mur' abigishwa banje.» (Yohana 13:35).

Raba ko Yesu atavuze ngo « bazobamenyera ku mpano zanyu », « ku buhanuzi bwanyu » canke « ku nyubakwa z'amashengero yanyu ». **Ikimenyetso c'Ubwami ni urukundo.**

5. Itegeko ry'Imbuto n'Isarura

Ubwami bwose bugira amategeko akora atanyiganyiga, nk'itegeko ry'uburemere mw'isi. Ubwami bw'Imana bufise itegeko ry'**ukubiba no kwimbura**: «Ntimuzimire: Imana yo nticokorwa; kukw'ic' umuntu abiba cose ari co azokwimbura.» (Abagalatiya 6:7).

Yesu yigishije ko Ubwami bumeze nk'**akabuto ka sinapi**, « umuntu yabiriye akagatera mu ndimiro yiwe. Kandi ni kanzinya hanyuma y'imbuto zose, arikw iyo gakuze kaba kanini kakaruta ibirimwa vyose, kakaba igiti. Maz' inyoni zo mu kirere zikaza zikarika mu mashami yaco.» (Matayo 13:31-32). Ivyo bisobanura ko Ubwami butangurira mu bintu bitoyi: ijambo ryiza, igikorwa c'urukundo, isengesho rito, ukwihangana. Mugabo izo mbuto zirakura zigahindura isi.

Mu Bwami, ntitwigera dutakaza ico duhaye Imana canke abandi kuko « ingero mugeramwo ari yo muzosubirizwamwo namwe.» (Luka 6:38).

6. Itegeko ry'Ugushira imbere

Irindi tegeko rikomeye ry'Ubwami riri muri Matayo 6:33: «**Ariko mubanze mwitwaririke ubwami bw'Imana n'ukugororoka kwayo,** ni ho ivyo vyose muzovyongerwa. »

Yesu yavuga ivyerekeye ibintu bihagarika imitima y'abantu: ivyo kurya, ivyo kunywa, impuzu. Ntiyavuze ko ivyo bintu bitari ngombwa. Yavuze ko bifise urutonde rwavyo: **Ubwami imbere, ibindi biza inyuma.**

Abantu benshi babaho mu buryo bunyuranye n'ibwiriza ry'ubwami: barondera ibintu imbere, bakizera ko Imana izoza inyuma. Mugabo umwenegihugu w'Ubwami azi ko iyo arondeye Umwami imbere, Umwami ari we yitwararika ibindi. Ni co gituma ahagarika umutima gake, kubera ko azi ko ari umwana w'Umwami.

7. Kubaho mu Burundi hisunzwe amategeko y'Ubwami

Amategeko y'Ubwami si ay'ijuru gusa; ni ay'ubuzima bwa misi yose. Ibaze ivyo vyoshobora gusobanura iwacu:

- **Mu muryango** — umugabo akunda umugore wiwe nk'uko Kristo yakunze ishengero; abavyeyi barera abana mu gutinya Imana aho kubatera ubwoba.
- **Mu kazi** — abakozi bakora nk'abakorera Umwami, n'abakoresha bariha neza abakozi babo.
- **Mu bucuruzi** — nta munzane w'ibinyoma, nta giturire, nta busuma.
- **Mu ntwaro** — Abakristo bari mu butegetsi bakorera abantu aho kwikorera.
- **Mu mubano n'abandi** — kubabarira, kutagumana inzigo, kubiba amahoro.

Inkuru y'ukuri: Corrie ten Boom n'umurinzi w'i Ravensbrück

> **Corrie ten Boom** (1892–1983) yari umukobwa w'umukozi w'amasaha mu gisagara ca Haarlem mu Buholandi. Mu ntambara ya kabiri y'isi yose, umuryango wiwe wanyegeje

Abayuda mu nzu yabo kugira ngo badapfa bishwe n'abanazi. Mu 1944 barafashwe. Corrie n'umuvukanyi wiwe **Betsie** bajanywe mu kigo c'abanyororo ca **Ravensbrück** mu Budagi. Betsie yapfiriye muri ico kigo.

Intambara imaze kurangira, Corrie yatangura kugenda mu bihugu vyinshi yigisha ko Imana ibabarira. Mu 1947, amaze kwigisha mw'ishengero ry'i Munich mu Budagi, umugabo umwe yamwegereye. Corrie yaramumenye ako kanya: yari umwe mu barinzi b'abanazi bari ab'ubugome i Ravensbrück. Uwo mugabo ntiyamwibuka. Yamubwiye ko yahoze ari umurinzi aho, mugabo ko yaje kwakira Yesu, kandi ko Imana yamubabariye. Hanyuma amurambikako ibiganza, amusaba ngo na we amubabarire.

Corrie yanditse ko yahagaze ata nguvu, umutima wiwe wakonje. Ntiyashobora kurambura ukuboko. Mu mutima asenga Imana ngo imuhe ivyo adafise. Arambura ukuboko n'ingorane nyinshi, nk'umuntu akora ikintu kimugoye. Aca yumva ubushuhe bwa Mpwemu Yera bumutembamwo, maze avuga n'umutima wiwe wose ko amubabariye. Yanditse ko atari bwigere yumva urukundo rw'Imana nk'uko yarwumvise ico gihe.

Aho ni ho tubonera ko **itegeko ry'urukundo** ry'Ubwami ritashobora gushirwa mu ngiro n'inguvu z'umuntu. Rikenera Mpwemu Yera.

Ivyo abahinga bavuga

Dallas Willard yigisha ko imigisha yo muri Matayo 5 atari amabwirizwa umuntu akwiye kwuzuza kugira ngo aronke umugisha. Ni **itangazo**: Yesu ariko aratangaza ko Ubwami bw'Imana bwugururiwe n'abo isi yibagiye — abakene, abarira, abahamwa. Nta muntu n'umwe ari kure y'Ubwami.

Desmond Tutu (1931–2021), Arikiyepisikopi w'i Cape Town muri Afrika y'Epfo, yayoboye Komisiyo y'Ukuri n'Ukwiyunga inyuma y'intwaro ya apartheid. Mu gitabo ciwe *No Future Without Forgiveness* (1999), yerekana ko igihugu cakomerekejwe n'amacakubiri kidashobora kugira ejo hazoza hatabayeho ukubabariranira. Ico ciyumviro gikwiye kumvirizwa cane mu Burundi no mu karere kacu kose.

Ibibazo vyo kwiyumvira

1. Muri iyo migisha icenda, ni iyihe ugiramwo ingorane nyinshi zo kubahomwo?
2. Ni iyihe nkingi muri izo zitatu (ukugororoka, amahoro, umunezero) ikeneye gukomezwa mu buzima bwawe?
3. Mu vyo urondera ubu, mbega Ubwami bw'Imana buri imbere?

Isengesho

Data, ndagushimiye ku mategeko y'Ubwami bwawe. Nkuye ku mutima wanje ugukurikiza amategeko yo hanze gusa. Andika amategeko yawe ku mutima wanje. Mpa ukugororoka, amahoro n'umunezero biri muri Mpwemu Yera. Unyigishe

> *gukunda nk'uko wakunze, kubabarira nk'uko wababariye, no kurondera Ubwami bwawe imbere y'ibindi vyose. Mw'izina rya Yesu. Amen.*

IKIGABANE CA 6

Ubwami n'Ishengero

« Nanje ndakubwira yuk' uri Petero , kandi kur' urwo rutare nzorwubakakw ishengero ryanje, kand' amarembo y'i kuzimu ntazorishobora. Nzoguha impfunguzo z'ubwami bwo mw ijuru: kand' ico uzohambira mw isi kizoba gihambiriwe mw ijuru; n'ico uzohamburura mw isi kizoba gihamburuwe mw'ijuru.» — Matayo 16:18-19

Ubwami n'ishengero si ikintu kimwe, mugabo ntibishobora gutandukanywa. **Ubwami ni ubutegetsi bw'Imana; ishengero ni abantu bemeye ubwo butegetsi.** Ubwami ni bwo bwa mbere; ishengero ni ryo rikorera Ubwami. Igihe ishengero ryirengagije ivyo, ritangura kwikorera aho gukorera Umwami.

1. Itandukaniro riri hagati y'Ubwami n'ishengero

Yesu yavuze ijambo « ishengero » incuro zibiri gusa mu Mw'Isezerano Risha, mugabo yavuze « Ubwami » incuro nyinshi cane. Ivyo ntibisobanura ko ishengero ritari ngombwa. Bisobanura ko ishengero rifise ico ryaremewe: **gukorera Ubwami.**

Ubwami	Ishengero
Ni ubutegetsi bw'Imana	Ni abantu bemeye ubwo butegetsi
Ni ivyo Imana igomba	Ni igikoresho Imana ikoresha
Bwahozeho kuva kera na kera	Ryavutse ku musi wa Pentekote
Ntibuzohangura	Rizohinduka umugeni wa Kristo
Ni intumbero	Ni uburyo bwo kuyishikako
Ni bunini kuruta ishengero	Ni igice c'Ubwami kiri kw'isi

Ishengero ni nk'**ambasade** y'Ubwami bw'ijuru kw'isi. Ambasade y'igihugu kimwe iba mu kindi gihugu, mugabo amategeko akurikizwa muri yo ni ay'igihugu yavuyemwo. Uwinjiye muri ambasade aba yinjiye, mu buryo bumwe, mu gihugu cayo. Ni ko ishengero rikwiye kumera: aho abantu binjira bakumva ko bashitse mu kirere c'ijuru.

2. Ikosa rinini: Gushira ishengero mu kibanza c'Ubwami

Igihe ishengero ryibagiye ko ari umukozi w'Ubwami, ritangura kwibona nk'**intumbero**. Ivyo bizana ingaruka nyinshi:

- **Dupima intsinzi ku bunini** — ingene abantu bangana mu rusengero, ingene amahera yinjira, ingene inyubakwa ari nini. Mugabo Ubwami bupimirwa ku bantu bahindutse.

- **Dutandukanya ubuzima** — ivy'urusengero bikaba « vyeranda », ivy'isoko n'ibiro bikaba « ivy'isi ».
- **Turwanira Abakristo** — amashengero arahiganwa, umwe agakwega Abakristo b'uwundi, aho kwagura Ubwami mu bataramenya Yesu.
- **Abakuru barondera ingoma zabo** — umupasitori aba umwami muto aho kuba umusavyi w'Umwami.

Yohana Umubatizi yavuze ijambo rikwiye kuba ijambo ry'umukozi w'Imana wese: «**Urya akwiye gukuzwa, nanje ngirwe muto.**» (Yohana 3:30).

3. Imfunguruzo z'Ubwami

Yesu yabwiye Petero ati: « Nzoguha **imfunguruzo z'ubwami bwo mw'ijuru**: ico uzohambira kw'isi kizoba gihambiriwe mw'ijuru, kandi ico uzohambura kw'isi kizoba gihambuwe mw'ijuru » (Matayo 16:19).

Imfunguruzo ni ikimenyetso c'ububasha. Uwufise imfunguruzo ashobora kwugurura no kwugara. Yesu yahaye ishengero ububasha bwo:

1. **Kwugurura imiryango y'Ubwami** ku bantu bose biciye mu kwamamaza Ubutumwa. Petero yakoresheje izo mfunguruzo ku musi wa Pentekote (ku Abayuda, Ivyakozwe 2), muri Samariya (Ivyakozwe 8), no mu nzu ya Koruneliyo (ku Abanyamahanga, Ivyakozwe 10).
2. **Guhambira ibikorwa vy'umwansi** — kuvyirukana mu bantu, mu miryango no mu mihana.
3. **Guhambura abantu** bari mu buja bw'icaha, indwara, ubukene n'ubwoba.

Ishengero ntiryahamagariwe kwugara imiryango ngo ryikingire isi. Ryahamagariwe kuyugurura ngo isi yinjire mu Bwami. Amarembo y'ikuzimu ni yo yugarirwa, si ay'ishengero!

4. Ishengero ry'Ubwami: Ivyakozwe n'Intumwa 2

Ishengero rya mbere ry'i Yerusalemu riratwereka ingene ishengero ry'Ubwami risa. Ivyakozwe 2:42-47 havuga ko:

- **Bagumye mu nyigisho z'intumwa** — Ijambo ry'Imana ryari ishingiro.
- **Basangira mu bumwe** — nta satuntu twanje; bari umuryango.
- **Bamanyagura imikate** — basangira ku meza, mu nzu zabo.
- **Basenga** — ugusenga kwari ubuzima, si umuhango.
- **Ibitangaza vyabaho** — ububasha bw'Ubwami bwarerekanwa.
- **Basangira ivyo bafise** — nta wari akennye muri bo (Ivyakozwe 4:34).
- **Bararonka ubutoni ku bantu bose** — isi yabona ko hari ikintu gishasha.
- **Umukama yongeraho abakizwa misi yose** — ukwaguka kwavuye ku Mana, si ku mayeri y'abantu.

Raba ko iryo shengero ritari rifise inyubakwa nini, nta n'ama programu menshi. Mugabo ryahinduye isi yose y'ico gihe. Kubera iki? Kubera ko ryari rizi ko ari **ishengero ry'Ubwami**, si ishengero ry'idini.

5. Ishengero ry'inkike n'ishengero ry'Ubwami

Mu Burundi no muri Afrika yose, hari uburyo bubiri bwo kuba ishengero:

Ishengero ry'inkike	Ishengero ry'Ubwami
Ririndira ko abantu baza	Rija aho abantu bari
Ripima abaza ku w'Imana	Ripima abahinduka mu buzima
Umupasitori akora igikorwa cose	Abakristo bose ni abakozi
Ryitwararika inyubakwa	Ryitwararika abantu
Rihangana n'ayandi mashengero	Rikorana n'ayandi mashengero
Rihunga isi	Rihindura isi
Ubutumwa bwaryo ni « muze »	Ubutumwa bwaryo ni « nimugende »

Ishengero ry'Ubwami ntiryibagira ko Yesu yavuze ngo: « Muri **umunyu w'isi** … muri **umuco w'isi** » (Matayo 5:13-14). Umunyu ntukora iyo uguma mu mufuko; ukora iyo uvanze n'ibifungurwa. Umuco ntumurika iyo upfutse; umurika iyo ushizwe ahabona. Ishengero ry'Ubwami riri mw'isi, mugabo si iry'isi.

6. Abapasitori n'abakuru mu Bwami

Iki gice ndacandikira cane cane abakozi b'Imana bagenzi banje. Twahamagawe gukorera Ubwami, si kwubaka ingoma zacu. Twibuke 1 Petero 5:2-3 havuga: «Muragire ubusho bw'Imana bwo muri mwebge, mutaburagira nk'abagoberewe, ariko mubikunze, nk'ukw Imana igomba: ntimuburagirishwe no kurondera inyungu mbi, ariko muburagire mushize igikonyo. Kandi **ntimuragire nk'abatwaza amanyama amasho mwagabanganirijwe**, ariko mube ivyitegererezo vy'ubusho.»

Ubusho si ubwacu; ni ubw'Imana. Abakristo si abakozi bacu; ni abenegihugu b'Ubwami nkatwe. Igikorwa cacu si ugutuma badushingira; ni ukubatunganya kugira ngo bagende mw'isi gukorera Umwami.

Igihe umupasitori ahimbarwa n'uko Abakristo biwe bakora neza mu kazi kabo, mu miryango yabo no mu mihana yabo kuruta uko bakorera mu rusengero gusa, ni ho tuzomenya ko twahindutse amashengero y'Ubwami.

Ivyo abahinga bavuga

> **Lesslie Newbigin** (1909–1998), umumisiyoneri yamaze imyaka irenga 35 mu Buhinde, hanyuma agasubira mu Bwongereza agasanga igihugu ciwe cabaye nk'« umurima w'ubutumwa », yanditse igitabo *The Gospel in a Pluralist Society* (1989). Muri co yigisha ko uburyo bw'ukuri isi ishobora gutahura Ubutumwa ari **ishengero**

ribayeho ivyo ryemera. Abantu ntibasoma Bibiliya mbere; basoma ubuzima bw'Abakristo. Ishengero ni « Bibiliya » isi isoma.

Myles Munroe yigisha kandi ko Ubwami bw'Imana bukora nk'igihugu gishinga **intara** (*colony*) mu kindi gihugu. Intara ni akarere gashinzwe kugira ngo kamere nk'igihugu kiyiganza: amategeko yaco, ururimi rwaco, umuco waco. Ni ko ishengero ryahamagariwe kumera: intara y'ijuru kw'isi, aho abantu babona ingene ijuru risa.

Ishengero rya mbere ry'i Yerusalemu na ryo ni akarorero kazwi n'abahinga bose: ntiryari rifise inyubakwa, nta mahera, nta bubasha bwa politike. Mugabo mu myaka nka 300, ukwizera kw'Abakristo kwari kwakwiragiye mu gihugu kinini c'Abaroma. Ntivyatewe n'imigambi y'abantu; vyatewe n'ubuzima bw'abenegihugu b'Ubwami bakundana kandi bakorera abandi, cane cane mu bihe vy'ibiza n'ivy'indwara z'akaranda.

Ibibazo vyo kwiyumvira

1. Ishengero ryawe risa n'iry'inkike canke n'iry'Ubwami? Ni ibihe bimenyetso?
2. Ni gute wewe ubwawe woshobora gukoresha imfunguruzo z'Ubwami mu muhana wawe?
3. Ni ikintu kimwe ikihe ishengero ryawe ryokwigira ku shengero rya mbere ry'i Yerusalemu?

Isengesho

Mwami Yesu, uri Umutwe w'ishengero. Tubabarire igihe twagize ishengero ryacu intumbero aho kuba umukozi w'Ubwami bwawe. Dukure mu nkike z'urusengero, utwohereze mw'isi kuba umunyu n'umuco. Ha abakuru bacu umutima w'umusavyi. Duhe gukoresha imfunguruzo watuhaye kugira ngo twugurure imiryango y'Ubwami ku bantu bose. Amen.

IKIGABANE CA 7

Kubaho nk'umwenegihugu w'Ubwami

«Tweho i wacu ni mw ijuru, ni ho twiteze Umukiza kw azova, ni we Mwami Yesu Kristo, » — Abafilipi 3:20

Umukristo afise ubwenegihugu bubiri: ubw'igihugu c'isi yavukiyemwo, n'ubw'ijuru yavukiyemwo ubwa kabiri. Mugabo ubwo bwenegihugu ntibungana. **Ubwenegihugu bwo mw'ijuru ni bwo bwa mbere; ubundi bwose buri munsi yabwo.** Ndi Umurundi, mugabo imbere y'ivyo ndi umwenegihugu w'Ubwami bw'Imana. Iki kigabane kirerekana ingene twobaho ivyo mu buzima bwa misi yose.

1. Turi intumwa z'Ubwami

Paulo yanditse ati: «Ni co gituma **tur' intumwa mu gishingo ca Kristo**, Imana isa n'ibingingira muri twebge. Turabinginga mu gishingo ca Kristo, mwuzure n'Imana.» (2 Abakorinto 5:20).

Intumwa ihagarariye igihugu mu kindi gihugu ifise ibintu bine biyiranga:

1. **Ntiri iwabo** — iba mu gihugu kitari ica yo, mugabo ntiyibagira iyo yavuye.
2. **Ivuga mw'izina ry'umwami wayo** — ntiyivugira ubwayo.
3. **Ihagarariye inyungu z'igihugu cayo** — si inyungu zayo bwite.
4. **Itungwa n'igihugu cayo** — ntiyihigira ivyo kurya mu gihugu irimwo; igihugu cayo ni co kiyitunga.

Ivyo vyose bikwiye kuranga umukristo. Iyo ugiye ku kazi uyu munsi, ntugiye gusa nk'umukozi; ugiye nk'**intumwa y'Ubwami**. Iyo uvugana n'umubanyi wawe, uba uvuga mw'izina ry'Umwami wawe. Kandi iyo ubuze, ntuhagarika umutima, kuko Ubwami bwawe ari bwo bugutunga.

2. Ururimi rw'Ubwami

Abenegihugu b'igihugu kimwe bamenyekanira ku rurimi rwabo. Igihe Petero yari mu rugo rw'umuherezi mukuru, abantu bamubwiye bati: «Hahise akanya, abahagazeho baramwegera, babgira Petero, bati N'ivy' ukuri nawe ur' uwo muri bo; **bitayeko n'imvugo yawe iraguhinyuza.** » (Matayo 26:73).

Abenegihugu b'Ubwami na bo bafise ururimi rwabo:

- **Ururimi rw'ukwizera** — bavuga ivyo Imana ivuga, si ivyo babona gusa (2 Abakorinto 4:13).
- **Ururimi rw'umugisha** — baravuga ijambo ryiza ku bandi, ntibavuma (Abaroma 12:14).

- **Ururimi rw'ukuri** — « Ego » yabo ni ego, « Oya » yabo ni oya (Matayo 5:37).
- **Ururimi rw'ugushima** — bashima mu bintu vyose (1 Abatesalonike 5:18).
- **Ururimi rwubaka** — nta jambo ryonona riva mu kanwa kabo (Abanyefeso 4:29).

Mu bihugu vyacu aho amajambo y'urwanko n'amacakubiri yamaze guteza ingorane nyinshi, abenegihugu b'Ubwami bahamagariwe kuvuga ururimi rushasha: ururimi rw'amahoro n'ubumwe.

3. Umwenegihugu w'Ubwami mu kazi kiwe

Abakolosayi 3:23-24 havuga ngo: «Ivyo mukora vyose, mubikore bivuye mu mutima, **nk'abakorera Shobuja mukuru, ntimube nk'abakorera abantu**, muzi yuko muzohabga impera na Shobuja mukuru, ni yo wa mwandu. Shobuja uwo Kristo ni we mukorera.»

Ivyo bihindura ingene tubona akazi. Nta kazi « gato » kaba mu Bwami. Uwukubura amabarabara ya Bujumbura akorera Umwami. Umurimyi w'i Ngozi ahinga ku bw'Umwami. Umwigisha w'i Gitega yigisha ku bw'Umwami. Umucuruzi wo mu Rumonge acuruza ku bw'Umwami.

Umwenegihugu w'Ubwami mu kazi kiwe:

- Ashika ku gihe kandi akora neza, n'iyo umukoresha atamuraba.
- Ntiyiba umwanya canke ibikoresho vy'akazi.
- Yanka igiturire n'iyo comutwara inyungu.
- Afasha abo bakorana, ntabasuzugura.
- Akoresha ubuhanga bwiwe nk'impano y'Imana yo gukorera abandi.

Yosefu yari umushumba muri Egiputa, mugabo yakoze neza ku buryo Potifari yabonye ko « Uhoraho yari kumwe na we » (Itanguriro 39:3). Daniyeli yari umunyagihugu i Babiloni, mugabo yakoranye ukwizigirwa ku buryo « nta kosa na rimwe bamusanzeko » (Daniyeli 6:4). Abo bagabo babiri barerekana ingene umwenegihugu w'Ubwami ashobora kuzana ubwiza bw'Imana mu kazi kari mu gihugu kitari ic'Imana.

4. Umwenegihugu w'Ubwami mu muryango wiwe

Umuryango ni intara ya mbere y'Ubwami. Imbere y'uko Imana ishinga ishengero canke igihugu, yashinze umuryango muri Edeni. Iyo Ubwami butari mu muryango, ntibushobora kuba mw'ishengero canke mu gihugu.

Mu muryango w'Ubwami:

- **Umugabo** akunda umugore wiwe nk'uko Kristo yakunze ishengero, akitanga ku bwiwe (Abanyefeso 5:25). Ubukuru bwiwe ni ubw'umusavyi, si ubw'umutegetsi.
- **Umugore** yubaha umugabo wiwe kandi yubaka inzu yiwe n'ubwenge (Imigani 14:1).
- **Abavyeyi** barera abana mu nyigisho z'Umukama, ntibabarakaza (Abanyefeso 6:4).

- **Abana** bubaha abavyeyi babo, kandi barafise isezerano ry'ukuramba (Abanyefeso 6:2-3).
- **Bose** basengera hamwe, basoma Ijambo ry'Imana hamwe, kandi barababariranira.

Yosuwa yavuze ijambo rikwiye kuba ijambo ry'umuryango wose w'Ubwami: « **Ariko jewe n'inzu yanje tuzokorera Uhoraho** » (Yosuwa 24:15).

5. Umwenegihugu w'Ubwami mu gihugu ciwe

Naho ubwenegihugu bwacu bwa mbere ari ubw'ijuru, ntitwahamagariwe kwanka igihugu cacu. Yeremiya yandikiye AbIsirayeli bari mu bunyagano i Babiloni ati: «**Mwifurize amahoro igisagara,** ico natumye mwambukanirwamwo, mugisengere Uhoraho: kuko kibaye amahoro namwe muzoba amahoro.» (Yeremiya 29:7).

Umwenegihugu w'Ubwami ni we mwenegihugu mwiza kuruta abandi bose mu gihugu ciwe:

- Asengera abategetsi (1 Timoteyo 2:1-2).
- Ariha amakori kandi yubaha amategeko atarwanya Imana (Abaroma 13:1-7).
- Arondera ineza y'abantu bose, atarobanura ku bwoko canke ku mugambwe.
- Avuga ukuri n'iyo bimutwara ingorane, nk'uko Natani yabwiye Dawidi ukuri.
- Akorera abakene, abapfakazi n'impfuvyi, kuko ivyo ari ivy'idini ritanduye (Yakobo 1:27).

Igihugu c'Uburundi ntikizohindurwa n'amategeko masha gusa canke n'imigambi y'iterambere gusa. Kizohindurwa n'abenegihugu b'Ubwami bari mu mice yose: mu ntwaro, mu bucuruzi, mu mashure, mu bitaro, mu bisirikare, mu birimwa, bose babaho hisunzwe amategeko y'Umwami.

6. Ubuzima bw'umwenegihugu w'Ubwami: Ivyo akora misi yose

Kubaho nk'umwenegihugu w'Ubwami si ingingo ifatwa rimwe gusa; ni ubuzima bwa misi yose. Ehe intambwe zitanu zifasha:

1. **Mu gitondo: Ha Umwami intebe** — imbere y'uko ufata telefone, mubwire uti: « Mwami, uyu musi ni uwawe. Ubwami bwawe buze mu vyo nkora vyose. »
2. **Soma itegeko nshingiro ry'Ubwami** — Ijambo ry'Imana, n'iyo vyoba ari imirongo mike, kugira ngo umenye ubushake bw'Umwami.
3. **Rondera akaryo ko gukorera** — ni nde ushobora gufasha uyu musi? Ni nde ushobora kubwira ijambo ryiza?
4. **Ugumane umubano na Mpwemu Yera** — muganire mu musi wose: mu modoka, ku kazi, mu nzu.
5. **Ku mugoroba: Isuzume** — ni ryari Umwami yaganje uyu musi? Ni ryari nagarutse ku ntebe y'ubwami y'umutima wanje? Saba imbabazi, uhabwe inguvu nshasha.

7. Inkuru y'umwenegihugu w'Ubwami

Ibaze umukecuru umwe w'i Bujumbura. Yari umupfakazi, yicuruza ibitoki ku isoko. Nta mahera menshi yari afise, nta n'amashure. Mugabo abantu bose bo kuri iryo soko bari bazi ko ari « umukozi w'Imana ».

Ntiyabeshya ku giciro. Yahora ababarira abamwononeye. Yasengera abacuruzi bagenzi biwe bari mu ngorane. Igihe umwe muri bo yapfushije umugabo, ni we wa mbere yashitse iwe n'ivyo kurya. Abacuruzi benshi bo kuri iryo soko bakiriye Yesu kubera ubuzima bwiwe, atari kubera inyigisho yabaha.

Uwo mukecuru ntiyari umupasitori. Mugabo yari umwenegihugu w'Ubwami. Kandi aho yari ari hose, Ubwami bwarashika. **Ni ko Ubwami butagira imbibe bwaguka: umutima umwe ku wundi, isoko rimwe ku rindi, umuhana umwe ku wundi.**

Inkuru y'ukuri: William Wilberforce

William Wilberforce (1759–1833) yari umudepite mu nama nshingamateka y'Ubwongereza. Igihe yakira Yesu mu mwaka wa 1785, yibaza nimba yoreka politike kugira ngo abe umupasitori. **Yohana Newton**, wahoze ari umucuruzi w'abaja hanyuma akaba umupasitori, akaba n'uwanditse indirimbo *Amazing Grace*, yaramuremesheje kuguma mu ntwaro kugira ngo akorere Imana aho.

Wilberforce yamaze imyaka nka 20 arwanya ubucuruzi bw'abantu b'abaja bava muri Afrika. Incuro nyinshi yaratsindwa mu nama nshingamateka, akanegurwa, akarwara. Mugabo ntiyacika intege. Mu 1807, itegeko rihagarika ubucuruzi bw'abaja mu Bwami bw'Abongereza ryaremejwe. Hanyuma, mu 1833, hasigaye imisi mikeyi gusa ngo yitabe Imana, inama nshingamateka yemeza itegeko rihagarika ubuja ubwabwo.

Wilberforce ntiyari umupasitori. Mugabo yari **umwenegihugu w'Ubwami** yakoresheje ikibanza ciwe mu ntwaro kugira ngo ubutungane bw'Umwami bushike ku bantu ibihumbi n'ibihumbi bo muri Afrika.

Ivyo abahinga bavuga

Tony Evans, umupasitori w'i Dallas muri Amerika, mu gitabo ciwe *The Kingdom Agenda*, yigisha ko Ubwami bw'Imana bukwiye kuganza mu bibanza bine Imana yashinze: **umuntu ku giti ciwe, umuryango, ishengero n'intwaro y'igihugu**. Iyo Ubwami butaganza mu muntu, ntibushobora kuganza mu muryango; iyo butaganza mu muryango, ntibushobora kuganza mw'ishengero; kandi iyo ishengero ritaganzwa n'Umwami, ntirishobora kumurikira igihugu.

Abraham Kuyper (twavuze mu kigabane ca 2) na we ni akarorero: yari umupasitori, aba umwanditsi, aba umwigisha wa kaminuza, aba umushikirangaji Mukuru. Mu bibanza vyose yakoreyemwo, yizera ko Kristo avuga ati « Ni ivyanje! »

Ibibazo vyo kwiyumvira

1. Mu buzima bwawe, ni ubuhe bwenegihugu buri imbere: ubw'isi canke ubw'ijuru? Ni ibihe bimenyetso?
2. Ni gute akazi kawe koshobora guhinduka igicaniro c'Ubwami guhera ejo?
3. Muri izo ntambwe zitanu za misi yose, ni iyihe ugiye gutangura kubaho iyi ndwi?

Isengesho

Mwami wanje, ndagushimiye ko wangize umwenegihugu w'ijuru. Unyigishe kubaho nk'intumwa yawe aho ndi hose. Ganza ururimi rwanje, akazi kanje, umuryango wanje n'ingene mbona igihugu canje. Ndakwinginze, uyu musi n'imisi yose, Ubwami bwawe buze aho ngenda hose. Mw'izina rya Yesu Kristo, Umwami wanje. Amen.

Ibitabo vyifashishijwe (Bibliographie)

Ibi ni ibitabo n'inkuru z'ukuri vyafashije kwandika iki gice. Ndabishikiriza abapasitori, abigisha n'abanyeshure bipfuza kwiga birushirije ivyerekeye Ubwami bw'Imana.

Ijambo ry'Imana

- *Bibiliya Yera* (Ivyanditswe Vyeranda mu Kirundi). Ni yo shingiro ry'iki gitabo cose.

Ibitabo vyerekeye Ubwami bw'Imana

Umwanditsi	Igitabo	Umwaka	Ivyo cigisha
Myles Munroe	*Rediscovering the Kingdom*	2004	Itandukaniro ry'idini n'Ubwami; Yesu yaje gusubizaho Ubwami bwa Adamu
George Eldon Ladd	*The Gospel of the Kingdom*	1959	Ubwami ni ubutegetsi bw'Imana
George Eldon Ladd	*The Presence of the Future*	1974	Ubwami « ubu, mugabo butarashika neza »
Dallas Willard	*The Divine Conspiracy*	1998	Ubuzima bw'Ubwami butangura ubu; « ubutumwa bwo gucunga icaha »
E. Stanley Jones	*The Unshakable Kingdom and the Unchanging Person*	1972	Ubwami budashobora kunyiganyizwa
Tony Evans	*The Kingdom Agenda*	—	Ubwami mu muntu, mu muryango, mu ishengero no mu gihugu
Mutagatifu Agustino	*De Civitate Dei* (Igisagara c'Imana)	ahagana 426	Ibisagara bibiri: urukundo rw'Imana n'urukundo rw'umuntu ubwiwe
Dietrich Bonhoeffer	*Nachfolge* (Le Prix de la grâce)	1937	Ubuntu buzimbutse n'ubuntu buzimvye
Lesslie Newbigin	*The Gospel in a Pluralist Society*	1989	Ishengero ni Ubutumwa isi isoma
Abraham Kuyper	*Souveraineté des sphères* (ijambo ryo kwugurura Vrije Universiteit)	1880	Kristo ni Umukama w'ibibanza vyose vy'ubuzima

Ibitabo vy'ubuhamya n'inkuru z'ukuri

Umwanditsi	Igitabo	Umwaka	Ivyo cigisha
Festo Kivengere	*I Love Idi Amin*	1977	Urukundo n'ukubabarira hagati y'uruhamo
Festo Kivengere	*Revolutionary Love*	1983	Urukundo rw'umusaraba ruhindura
Desmond Tutu	*No Future Without Forgiveness*	1999	Ukwiyunga kw'igihugu cakomeretse

Umwanditsi	Igitabo	Umwaka	Ivyo cigisha
Corrie ten Boom	*The Hiding Place*	1971	Ukwizera n'ukubabarira mu kigo c'abanyororo
Corrie ten Boom	*Tramp for the Lord*	1974	Inkuru y'umurinzi w'i Ravensbrück
Yohana Wesley	*Journal* (24 Rusama 1738)	1738	Ukuvuka ubwa kabiri kw'umukozi w'Imana

Inkuru z'akahise

- Abikanguro bwo mu Buseruko bwa Afrika (Gahini, Ruanda-Urundi, 1929–1933): Joe Church na Simeoni Nsibambi.
- William Wilberforce n'urugamba rwo guhagarika ubuja (1807 na 1833).

Icitonderwa: Ivyo abo banditsi bavuga vyahinduwe mu Kirundi n'umwanditsi w'iki gitabo. Ukwizera kwacu gushimikiye kw'Ijambo ry'Imana, si ku mazina y'abantu. Abo bahinga ni abagenzi b'urugendo, kandi ivyo bavuga vyose bipimirwa ku Vyanditswe.

✦ ✦ ✦

Pasteur NDAYISENGA Wenceslas
Email: wenceslas304@gmail.com
Telefone: +257 79 93 89 21 / +257 79 98 82 36
Urubuga: https://bujumbura.bi